# ABANYAGIHUGU B'ABASANGWABUTAKA BO MURI AFRIKA: ABANYAGIHUGU BIBAGIWE?

## Igikorwa c'Umurwi wa Afrika ujejwe ibibazo vy'abasangwabutaka bo muri Afrika

## 2006

**ABANYAGIHUGU B'ASANGWABUTAKA BO MURI AFRIKA: ABANYAGIHUGU BIBAGIWE?**

_____

**© Agateka k'umwanditsi: ACHPR na IWGIA**
**Abacanditse:** Jorge Monrás, IWGIA
**Kukiryohora n'ukugisohora:** Eks/Skolens Trykkeri, Copenhagen, Denmark
ISBN: 87-91563-24-0

**Kugikwiragiza muri Amerika y'Uburaruko:**
Transaction Publishers
Ibaraba Campus; inomero 390 / Somerset, New Jersey 08873
Umuhora ngurukanabumenyi: www.transactionpub.com

**Umurwi wa Afrika ujejwe agateka ka zina muntu n'ako abanyagihugu (CADHP)**
Ibarabara Kairab – Agasandugu ka posita 673 i Banjul, Gambiya
Tel: (220) 4377 721/4377 723 - Fax: (220) 4390 764
E-mail: achpr@achpr.org
Umuhora ngurukanabumenyi: www.achpr.org

**Umurwi mpuzamakungu ukora ku bibazo vy'abanyagihugu b'abasangwabutaka (IWGIA)**
Classensgade 11 E, DK 2100 - Copenhagen, Denmark
Tel: (45) 35 27 05 00 - Fax: (45) 35 27 05 07
E-mail: iwgia@iwgia.org
Umuhora ngurukanabumenyi: www.iwgia.org

***Aka gatabu kanditswe kubera imfashanyo y'Ubushikiranganji bw'igihugu ca Danemark bujejwe imigenderanire n'ayandi makungu.***

# Ibirimwo

Intangamarara .....5

Ibiranga abanyagihugu b'abasangwabutaka bo muri Afrika …..... 6
Ukwihenda ku nsiguro ..... 8

Abanyagihugu b'abasangwabutaka n'inkehwa ..... 9

Abanyagihugu b'abasangwabutaka n'uturere babamwo ..... 10

Imirwi y'abanyagihugu b'abasangwabutaka bo muri Afrika ……10

Uko ivyerekeye agateka k'abanyagihugu
b'abasangwabutaka vyifashe muri Afrika …….……..10

Uburenganzira kw'itongo ..... 11

Ugukumirwa ..... 11

Kudatunganiriza abasangwabutaka .....11

Uguhonyanga uburenganzira bujanye n'imico kama .....12

Ukudaserukirwa mu nzego n'ukutemerwa mu mategeko .....12

Uburenganzira bujanye n'amagara be n'indero .....13

Amasezerano ya Afrika be n'ingingo zapfunditswe n'ama
Sentare ku vyereke ijambo "abanyagihugu" .....14

Ukwemanga abanyagihugu b'abasangwabutaka mu makungu .....15

Akamaro k'ukwemera abanyagihugu b'abasangwabutaka muri Afrika …….....17
Umurwi nshingwabikorwa w'Umurwi wa
Afrika ujejwe abanyagihugu b'abasangwabutaka .....17

Ishingwa ry'Umurwi nshingwabikorwa n'ico ujejwe .....17

Ibikorwa vy'Umurwi nshingwabikorwa .....18

Ugusozera .....19

Insiguro ..... … …. 20
Insobanuro y'amajambo ajanye n'amategeko yakoreshejwe …..25

**ABANYAGIHUGU B'ABASANGWABUTAKA BO MURI AFRIKA: ABANYAGIHUGU BIBAGIWE?**

**Igikorwa c'Umurwi wa Afrika ku vyerekeye abasangwabutaka bo muri Afrika.**

## Intangamarara

Kuva mu mwaka w' 1999, Umurwi wa Afrika ujejwe agateka ka zina muntu n'ak' abanyagihugu (CADHP canke Umurwi wa Afrika) uritayeho ikibazo c'agateka k'abanyagihugu b'abasangwabutaka, kuberako cane cane bari mu mirwi igeramiwe rwose muri Afrika. Kuva inama isanzwe igira 29 y'Umurwi rwa Afrika yakoraniye muri Libiya mu mwaka w'2001, abaserukira abasangwabutaka barakurikirana inama z'Umurwi CADHP,bakanashinga intahe bimwe bikomeye ku kuntu babayeho bidashemeye be n'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu bagirirwa. Barashikirije Umurwi CADHP ukuntu bakumirwa bakanasuzugurwa ku munsi ku munsi, haba mu kunyagwa amatongo, mu kurandurana n' imizi uburyo bwabo bwo kubaho, imico kama n'akaranga kabo, , canke mu gukumirwa mu nzego zifata ingingo za poritike hamwe n' ukutaja mu mashure be no gukumirwa mu vyo kubungabunga amagara, tutibagiye ubukene burenze urugero. Mu ncamake, ubutumwa bwabo nyamukuru ni ugusaba bashimitse ko nabo bobemera, bakwubahwa kandi bakwubahirizwa mu gateka kabo. Ni akamo k'abantu basaba uburenganzira bwo kubaho nk'abanyagihugu bagize umuryango umwe, bakagishwa inama kuvyerekeye ugutegura n'ugutegekanya kazoza kabo, gashimikiye ku mico kama yabo, ku karanga kabo, k'umwizero hamwe n'ukuntu babona ivy'isi.

Abaserukira abanyagihugu hamwe n'imiryango y'abasangwabutaka basavye ko umurwi CADHP ubakingira ukanaharanira agateka kabo. Umurwi CADHP warumvise akamo kabo kandi warabibemereye ata guhigimanga. CADHP uremera ko gukingira no kubungabunga agateka k'imirwi y'abantu batitaweho, bahariwe ivomo canke bakumiriwe muri Afrika ni ingorane itoroshe, ari na co gituma Amasezereno ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'akabanyagihugu (Amasezerano ya Afrika) ategerezwa kuyaha ishingiro.

Kugira ngo habe urufatiro nyarwo rw'ibiganiro bizotunganywa hamwe n'ingingo nkuru nkuru zizopfundikwa, CADHP warashinze Umurwi nshingwabikorwa ujejwe abanyagihugu/imiryango y'abasangwabutaka mu mwaka 2001. Bagishije inama abahinga mu vy' agateka ka zina muntu hamwe n'abaserukira abasangwabutaka, Umurwi nshingwabikorwa warateguye urwandiko rutomoye rwiswe "Icegeranyo c'Umurwi nshingwabikorwa w'abahinga b'Umurwi wa Afrika ujejwe abanyagihugu/imiryango y'abasangwabutaka" kuvyerekeye agateka k'abanyagihugu n'imiryango y'abasangwabutaka bo muri Afrika (ico cegeranyo cose umuntu arashobora kukironka/kukigerako aciye ku muhora(ku rubuga) w'ingurukanabumenyi <http://www.iwgia.org.sw163.asp>). Ico cegeranyo caremejwe na CADHP mu kwezi kwa Munyonyo umwaka w' 2003 hanyuma gisohoka nk'igitabu muri 2005. Ico cegeranyo cerekana uko umurwi CADHP ubona kandi wumva ibintu, kikaba ari n'urwandiko ngenderwako rwa CADHP ku vyerekeye ikibazo c'agateka k'abanyagihugu b'abasangwabutaka; kubera izo mpamvu, ni urwandiko nkoramutima rukenewe mu

guteza imbere agateka k'abanyagihugu b'abasangwabutaka. Ico cegeranyo kandi kirashobora gutuma ibiganiro bitomoye vyubaka vyoroha hagati ya CADHP/Umuryango w'ubumwe bwa Afrika hamwe n'ibihugu biwugize. Ico cegeranyo kizoba kandi umushinge w'ibikorwa vya CADHP muri kazoza ku vyerekeye guharanira no kubahiriza agateka k'abanyagihugu b'abasangwabutaka.

Aka gatabu ni incamake itomoye yico cegeranyo, kakaba kandi kerekana politike ya CADHP ku bibazo biraje ishinga abasangwabutaka. Aka gatabu gatanga insiguro kw'ijambo abanyagihugu b'abasangwabutaka; karibanda no ku kibazo c'agateka k' abasangwabutaka bo muri Afrika hamwe n'ukuntu Amasezerano ya Afrika yobubahiriza. Ako gatabu karanatanga insiguro ku ruhara ry'Urwego rwa Afrika mu guharanira n'ukubahiriza agateka k'abanyagihugu b'abasangwabutaka bo muri Afrika, karihweza kandi ishingwa, intumbero hamwe n'ibikorwa vy'Umurwi nshingwabikorwa k'Umurwi wa Afrika ujejwe abanyagihugu/imiryango y'abasangwabutaka.

## Ibiranga abanyagihugu b'abasangwabutaka bo muri Afrika

Iki kigabane gitanga insobanuro ku vyerekeye ibimenyetso bikuru bikuru biranga abanyagihugu n'imiryango y'abasangwabutaka bo muri Afrika. Ntigifise intumbero yo gutanga insiguro bwegu y'ijambo abanyagihugu b'abasangwabutaka, kuberako vyagoranye ko abantu bumvikana bose ku nsiguro imwe bahurirako; mbere na kare ntibinakenewe ko insiguro nkiyo ibaho. Igikenewe cane kandi cubaka ni ukugerageza gusigura ibimenyetso nyamukuru biranga abanyagihugu n'imiryango y'abasangwabutaka bo muri Afrika. Ni nayo nzira amakungu akoresha, n'Umurwi CADHP urayishigikiye hamwe n'inzego z'Umuryango mpuzamakungu zijejwe agateka k'abanyagihugu b'abasangwabutaka.

Abanyafrika bakoresha ijambo "abasangwabutaka" mu kugerageza gutorera inyishu ibibazo bijanye n'agateka ka zina muntu bari mu mice itandukanye, hari abahigi-bamuzi, aborozi-bagishi hamwe n'abarimyi batobato. Abo bose batandukanywa n'imico kama yabo, inzego nshingwamibano hamwe n'ukuntu basenga Imana. Abatwa bo mu karere k'ibiyaga binini[i], aba San bo muri Afrika y'epfo, aba Hadzabe bo muri Tanzaniya, aba Ogiek, aba Sengwer n'aba Yakuu bo muri Kenya ni uturorero tw'imiryango y'abahigi-bamuzi biyita abasangwabutaka. Hanyuma, imiryango y'abarozi-bagishi nk'aba Barabaig bo muri Tanzaniya, aba Massaï bo muri Kenya na Tanzaniya, aba Samburu, aba Turkana, aba Rendile, aba Endorowa be n'aba Borana bo muri Kenya, aba Karamonjong bo mu Buganda, aba Himba bo muri Namibiya n'aba Touareg, aba Fulani be n'aba Toubou bo muri Mali, Burkina Faso na Níger ni uturorero tw'aborozi-bagishi biyita abasangwabutaka. Aba Amazigh bo muri Afrika y'uburaruko nabo nyene biyita abasangwabutaka. Ibintu biranga kenshi na kenshi iyo mirwi y'abiyita abasangwabutaka ni ibi bikurikira: imico kama hamwe n'imibereho yabo iratandukanye cane n'iyo abantu bo mu miryango nyamwinshi babana mu gihugu; imico kama yabo iriko iratituka mbere ikazohava inazimangana burundu. Ikimenyetso gikuru c'imico imwe imwe ni uko ukuramba kwayo biva cane cane ku burenganzira n'agateka ku bijanye n'itongo ryabo hamwe n'ubutunzi kama burirangwamwo. Barakumirwa kubera bafatwa nk'abantu bakiri inyuma y'amajambere ugereranije n'abandi bantú bo mu miryango yiganje(nyamwinshi). Bakunda kuba cane cane mu ntara za kure, zitoroshe gushikamwo, bakanakumirwa mu buryo butandukanye, haba mu vya politike canke mu vy' imibano. Baracinyizwa

bakanahohoterwa n'inzego z'igihugu zijejwe politike canke ubutunzi, inzego zishirwaho hisunzwe inyungu hamwe n'ibikorwa vy'imirwi nyamwinshi.

Iryo kumirwa, agahotoro hamwe n'itaramurwa bihonyanga agateka k'abasangwabutaka, bikanabangamira imico hamwe n'imibereho yabo. Ivyo rero biranatuma badashobora gufata ingingo zikomakomeye kubiraba kazoza kabo hamwe n'iterambere ryabo. Ikibazo c'ubusangwabutaka canke c' "abashitse ubwambere" si ikimenyetso nyaco kiranga abanyagihugu b'abasangwabutaka. Gukoresha ijambo "abanyagihugu b'abasangwabutaka" ku banyagihugu bagicurwa bufuni na buhoro n'abamuka ku banyamahanga b'abakoroni ntivyorohereza ikoreshwa ry'iryo jambo muri Afrika. Ikindi naco ni uko gucinyiza n'ugucura bufuni na buhoro bitakozwe n'abakoroni canke ivyaduka vy'abazungu gusa. Muri Afrika, inyuma y'ukwikukira, imirwi yiganje(nyamwinshi) yarahohoteye imirwi y'abakumiriwe. Ni ako gacinyizo rero ko hagati mu bihugu vya Afrika urugamba rw'abasangwabutaka ruriko rurageraageza guhagarika.

Ukwidondora biramenyekanisha cane abanyagihugu b'abasangwabutaka gusumba mbere n'ubusangwabutaka bwo nyene. Ico ciyumviro kivuga ko abanyagihugu bonyene bifata nk'abasangwabutaka kandi ko batandukanye n'iyindi mirwi yo mu gihugu. Ugushimikira ku kamaro k'ukwidondora vyarerekanywe n'amashirahamwe arangurira imirimo yayo ku bibazo vy'abasangwabutaka, nka CADHP, Ishirahamwe mpuzamakungu riraba ivy' akazi (OIT), hamwe n'ayandi mashirahamwe yegamiye Umuryango mpuzamakungu ONU be n'amashirahamwe bwite y'abanyagihugu b'abasangwabutaka. Igihambaye kurusha n' uko igeramirwa ry' agateka k'abanyagihugu b'abasangwabutaka , vyoshengezwa.Muri iyo ntumbero, vyoba bikenewe ko turonka ijambo rifasha mu kugena no mu kwihweza ukuntu babayeho. "Abanyagihugu b'abasangwabutaka" uno munsi ni ijambo, rikaba n'urugamba mpuzamakungu rwo guharanira agateka n'ubutungane bw'iyo mirwi idasanzwe yakumiriwe mw'iterambere, kandi imico kama hamwe n'imibereho yabo bikumirwa bikanasuzugurwa. Igihuza urwo rugamba mpuzamakungu, bafatiye kw'ijambo "abanyagihugu b'abasangwabutaka" ni akaryo abo banyagihugu bokoresha kugirango bahindure ibintu, bihweze igituma hari ukutangana n'uguhohoterwa hanyuma bageraageze kurwanya ihonyangwa ry'agateka kabo, bisunze ukuntu amategeko mpuzamakungu abakingira. Ni iyo nsiguro nshasha y'ijambo "abanyagihugu b'abasangwabutaka", ifatiye ku bimenyetso bimaze gushikirizwa vy'uguharira ivomo, gukumira, ubudasa mu mico kama n'ukwidondora vyafashwe bikanemezwa na CADHP. Ayandi mashirahamwe, nk'Ishirahamwe mpuzamakungu riraba ivyo akazi, Umurwi nshingwabikorwa w'Umuryango mpuzamakungu ujejwe abanyagihugu b'abasangwabutaka, Umurwi ugenzura abanyagihugu b'abasangwabutaka bo muri Afrika yarashikirije ibimenyetso biranga abanyagihugu b'abasangwabutaka bishimikiye ku majambo asa n'ayo CADHP yamaze kwemeza (uwushaka inkuru nyinshi yokwishikira ku muhora ngurukanabumenyi <http://www.ilo.org; http://www.ohchr.org; http://www.ipacc.org.za>).

**Ukwihenda ku nsiguro**

Rimwe mu makosa ajanye n’uguha insiguro ijambo abasangwabutaka ni ukwibazako kwubahiriza agateka k'abasangwabutaka ari uguha agateka kadasanzwe abantu bo mu bwoko bumwe bumwe kandi iyindi mirwi iba mu kihugu ataco yaronse. Si uko bimeze. Ahari ingorane si ukwemera agateka kadasanzwe. Nkuko vyamaze gusigurwa neza aho hejuru, ikibazo nyamukuru ni uko imirwi imwe imwe yahariwe ivomo, igakumirwa mu buryo bwinshi kubera cane cane yisangije imico kama, uburyo bwo guhingura ibintu hamwe n'ikibanza kidashemeye bafise mu gihugu cabo, ikumirwa abandi bantu bo mu yindi mirwi iri mu gihugu batagirirwa. Ugusaba ko agateka k'imirwi yakumiriwe kwubahirizwa ni icipfuzo cumvikana cane mu ntumbero yo kugabanya uburyo bw'ikumirwa ridasanzwe.

Irindi kosa rijanye n’ugutanga insiguro risa n'iryo duhejeje kuvuga ni uko muri Afrika, ijambo abasangwabutaka ritari rikwiye gukoreshwa kuko abanyafrika bose ari abasangwabutaka. Ntawoharira ko abanyafrika atari abasangwabutaka, cane cane umuntu yihweje ko ariho baba imbere y'uko abazungu baza kubacura bufuni na buhoro. Umurwi CADHP ntiwigera uhakana akaranga k'iyindi mirwi. Iyo imirwi imwe imwe yakumiriwe ikoresheje ijambo “abasangwabutaka” mu gusigura uko babayeho, barikoresha mu nsiguro yaryo y’ibihe tugezemwo (atawiriwe araravuga ivy’ ubusangwabutaka afatiye k’umuzo w’abazungu b’abakoroni) mu ntumbero y'ugukebura kuvyerekeye ikumirwa ryabo mu buryo butandukanye kugirango bigabanuke. Ntibarikoresha mu ntumbero yo guhakana uburenganzira bw’abandi banyafrika bwo gusaba ko bafatwa nk' abasangwabutaka, nk'abanyafrika bakwiye no kwiyita gurtyo. Bakoresha iryo jambo mu nsiguro yaryo yagutse kubera rifasha mu kwihweza neza ubudasa bw'amakuba baciyemwo, rikanatuma bashobora kurondera ukuntu bokingirwa bisunze ingingo zitegekanijwe n’amategeko mpuzamakungu ajanye n'agateka ka zina muntu .

Irindi kosa rijanye n'ugutanga insiguro ni ukwiyumvira ko kuvuga agateka k'abasangwabutaka ariyo ntandaro y'indyane zifatiye ku moko canke ku miryango. Iyo nsiguro siyo na gatoyi. Hari amoko menshi atandukanye nko mu bihugu vyose vyo muri Afrika kandi ukwubahiriza imico kama yiyo mirwi y’imiryango yose si agaseseshwarumuri. Kwemera ukubaho kw’iyo mirwi yose ,kwubaha n'ukwubahiriza ubudasa bw’ayo, n' ukureka umwe wose ukiteza imbere mu mwidegemvyo nyakuri; nta ndyane bizana ahubwo birazikinga. Igikwega amatati ahubwo ni uko imirwi imwe yiganje(nyamwishi) mu gihugu ihotora iyindi ikabahatirako "ubumwe" bufatiye ku vyipfuzo be n'inyungu zayo, bikabuza imirwi ihotorwa gushikiriza ingorane n'ivyiyumviro vyayo. Muri make, amatati ntiyaduka kubera abantu baharanira agateka kabo; indyane zikomoka kw’ihonyangwa ry’agateka ka zina muntu. Gutegekanya uburyo bwo kubahiriza agateka ka zina muntu k’imirwi imwe imwe y’abantu bakumiriwe ntivyofatwa nko gushira imbere amoko canke ugutosekaza ubumwe bw’ibihugu vya Afrika. Ahubwo ni umugambi woshigikirwa ukanafatwa nk’akaryo kabonetse kandi kari gakenewe, ku vyerekeye ikibazo c’agateka ka zina muntu muri Afrika, ko guhanahana ivyiyumviro ku buryo bwo guteza imbere intwaro rusangi zisunga akaranga ka bose, zishimikiye ku kwubaha n'ugufashanya kw'amoko yose. Intwaro rusangi usangamwo ibisabwa kugirango habe iterambere hanyuma imishamirano hamwe n’amatati afatiye ku moko agacureha.

Umurwi CADHP uratahura umwitwarariko w’ abantu biyumvira ko ijambo “abasangwabutaka” ryatahuwe nabi muri Afrika kubera ryakoreshejwe nabi ku ntwaro za gikoroni z'abanyaburaya kandi ama reta nyafrika amwe amwe yasubiriye izo ntwaro za

gikoroni yararikoresheje mu buryo bwo kwiyemera. Ariko rero, umuntu adahakanye ugutahura nabi iryo jambo, ubu riremewe n'amakungu yose mu nsiguro yaryo yagutse ituma umuntu yumva akanihweza neza uburyo bumwe bumwe bw'ukutangana hamwe n'agahotoro, nk'ivyagiriwe aborozi-bagishi hamwe n'abahigi-bamuzi b'ibivyimeza benshi bo muri Afrika ya none. Iryo jambo rirafasha kandi no kwiyamiriza amakuba yabo ajanye n'ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu.

**Abanyagihugu b'abasangwabutaka n'inkehwa**

Mu biganiro n'ukungururana ivyiyumviro ku kibazo c'abasangwabutaka bo muri Afrika, hari abipfuza ikoreshwa ry'ijambo "inkehwa" kugirango basigure imirwi y'abantu bitwa "abasangwabutaka". Aho Umurwi CADHP uhagaze ni uko bikenewe ko hokoreshwa ijambo abasangwabutaka kw'isi yose, no muri Afrika harimwo, kuberako ico abantu bita abanyagihugu b'abasangwabutaka mu bihe tugezemwo harimwo n'ukuntu iyo mirwi be n'imiryango ibayeho. Harashobora kuba hari urusobane hagati y'imirwi bita " inkehwa" n'abitwa "abasangwabutaka" kandi nta nsiguro canke urutonde rw'ibimenyetso vyotuma umuntu akura urwo rusobane. Ikindi naco ni uko iyindi mirwi mishasha izobandanya iboneka hanyuma bigaca biba amananiza ku gikorwa co gushira mu mice abo bantu. Itandukaniro riri hagati y'inkehwa n'abasangwabutaka rirafise aho rigeza, n'ico gituma hakenewe gukoreshwa insiguro yoroshe, ifatiye ku kwihweza neza ibibazo bijanye n'agateka ka zina muntu[ii]. Kamere y'agateka gahabwa abanyagihugu b'abasangwabutaka be n'inkehwa mu mategeko mpuzamakungu iratandukanye cane, kandi ivyo birafise ingaruka zihambaye. Itandukaniro nyamukuru hagati y'agateka k'inkehwa n'agateka k'abasangwabutaka ni uko agateka k'inkehwa kitirirwa abantu umwe wese ku giti ciwe mu gihe agateka k'abanyagihugu b'abasangwabutaka ari agateka rusangi. Agateka gahabwa abantu bo mu nkehwa zifatiye ku gihugu bakomokamwo, ku bwoko, ku madini canke ku ndimi kagizwe n'uburenganzira bwo gukoresha imico kama y'akaranga kabo, kwigisha no gusenga mw'idini ryabo, gukoresha uririmi rwabo, gushinga imihari yabo, kugira uruhara mu buzima bw'igihugu hamwe n'ibindi. Ubwo burenganzira bushobora gukoreshwa n'abantu bo mu nkehwa kubwabo canke muri rusangi hamwe n'abandi bantu bo muri uwo murwi[iii].

Agateka k'abasangwabutaka koko ni agateka rusangi naho vyemewe ko hariho n'agateka ka zina muntu wese. Bimwe muri bikuru bikuru biranga agateka k'abasangwabutaka ni uburenganzira rusangi kw'itongo, kw'isi no ku matungo kama. Mu rwandiko rw'Ivyamenyeshejwe n'amakungu ku bijanye n'agateka k'abantu bo mu mirwi y'inkehwa zifatiye ku gihugu c'amamuko, ku moko, ku madini no ku ndimi, ako gateka ntigategekanijwe kandi bizwiko uburenganzira bwo kw'itongo no ku yandi matungo kama arivyo bigize ishimikiro ry'amasezerano mpuzamakungu nomero 169 y'Ishirahamwe mpuzamakungu riraba ivy' akazi (ingingo 13-19) be no mu vyamenyeshejwe n'Umuryango mpuzamakungu ku vyerekeye agateka k'abasangwabutaka(ingingo za 25-30). Uburenganzira rusangi kw'itongo no ku matungo kama biri muri bimwe bikomakomeye bisabwa n'abanyagihugu b'abasangwabutaka – kw'isi cane cane ariko no muri Afrika kuberako ubwo burenganzira ari ngombwa kugirango iyo mirwi ibe iramaze kabiri, kandi inashobore no kwigina ubundi burenganzira rusangi nko gutegekanya kazoza kabo, gukurikirana no guteza imbere uburyo bwo gukora ibintu no kubaho uko babishaka hamwe no gukoresha imico kama

ibaranga. Uburyo bwo gukingira agateka k'abanyagihugu b'abasangwabutaka nk'aba San, Abatwa, aba Ogiek, aba Massai, aba Barabaig, aba Touareg, aba Hadzabe n'abandi , ni ukubahiriza agateka kabo, nk'abandi bantu bose kw'isi, ariko bikarenga ngaho. Ico iyo mirwi irondera ni ukwemerwa uko iri, imico kama yayo hamwe n'imibereho yabo igakingirwa. Ikibazo nyamukuru kiraba iyo mirwi ni ugukingira agateka rusangi hamwe n'ukwidegemvya kw'itongo barazwe na basekuru be no ku matungo kama kugirango babandanye babaho nka mbere. Kuberako ugukingira agateka rusangi, cane cane uburenganzira kw'itongo, arico kibazo nkoramutima, imirwi myinshi yibazako ingingo zitunganya agateka k'abasangwabutaka ari ishingiro ryiza gusumvya ingingo ziraba agateka k'inkehwa.

**Abanyagihugu b'abasangwabutaka n'uturere babamwo**

Mu rugero rwo gushushanya, igicapo gikurikira kirerekana neza uturorero tw'imirwi yo muri Afrika yiyita abasangwabutaka. Abo bantu badomweko urutoke ni uturorero gusa twerekana muri rusangi bamwe bamwe mu bagize abasangwabutaka turiko turavuga ngaha. Turemeza dushimitse ko iki gicapo kiterekana imirwi yose ibaho.

## Imirwi y'Abanyagihugu b'Abasangwabutaka bo muri Afrika

| **Igihugu** | **Umuryango** | **Ibikorwa bijanye n'ukubaho** |
|---|---|---|
| Aligeriya | Aba Amazigh<br><br>Aba Tuareg | Abarimyi borozi<br><br>Aborozi-bagishi |
| Angola | Aba San | Abahigi-bamuzi |
| Burkina Faso | Aba Tuareg<br><br>Aba Fulani | Aborozi-bagishi<br><br>Aborozi-bagishi |
| Burundi | Abatwa | Abahigi-bamuzi |
| Kameruni | Aba Bakola/Bagyeli<br><br>Aba Baka<br><br>Aba Medzan | Abahigi-bamuzi<br><br>Abahigi-bamuzi<br><br>Abahigi-bamuzi |

| | | |
|---|---|---|
| | Aba Mbororo | Aborozi-bagishi |
| Republika ya Afrika yo Hagati | Aba Baaka (Bayaka, Biaka)<br><br>Aba Mbororo | Abahigi-bamuzi<br><br>Aborozi-bagishi |
| Republika ya Kongo | Aba Yaka | Abahigi-bamuzi |
| Republika iharanira Demokarasi ya Kongo | Abatwa, aba Bacwa, aba Bambuti | Abahigi-bamuzi |
| Misiri | Aba Amazigh | Aborozi-bagishi |
| Etiyopiya | Aba Somalisi<br><br>Aba Afarsi<br>Aba Borana<br><br>Aba Kereyu (Oromo)<br><br>Aba Nuer | Aborozi-bagishi<br><br>Aborozi-bagishi<br>Aborozi-bagishi<br><br>Aborozi-bagishi<br><br>Aborozi-bagishi |
| Gabon | Aba Baka | Abahigi-bamuzi |
| Kenya | Aba Ogiek<br><br>Aba Watta<br><br>Aba Sengwere<br><br>Aba Yaaku<br><br>Aba Maasai | Abahigi-bamuzi<br><br>Abahigi-bamuzi<br><br>Abahigi-bamuzi<br><br>Abahigi-bamuzi<br><br>Aborozi-bagishi |

| | | |
|---|---|---|
| | Aba Samburu | Aborozi-bagishi |
| | Aba Elmolo | Aborozi-bagishi |
| | Aba Turikana | Aborozi-bagishi |
| | Aba Rendile | Aborozi-bagishi |
| | Aba Borana | Aborozi-bagishi |
| | Aba Somali | Aborozi-bagishi |
| | Aba Pokote | Aborozi-bagishi |
| | Aba Andorowa | Aborozi-bagishi |
| Libiya | Aba Tuareg | Aborozi-bagishi |
| | Aba Amazigh | Aborozi-bagishi |
| Mali | Aba Tuareg | Aborozi-bagishi |
| | Aba Amazigh | Aborozi-bagishi |
| Maroke | Aba Amazigh | Abarimyi/Aborozi |
| Namibiya | Aba San | Abahigi-bamuzi |
| | Aba Himba | Aborozi-bagishi |
| Nigeri | Aba Tuareg | Aborozi-bagishi |
| | Aba Fulani | Aborozi-bagishi |
| | Aba Tubu | Aborozi-bagishi |
| Nigeriya | Aba Ogoni | Abarimyi batobato |
| Rwanda | Abatwa | Abahigi-bamuzi |

| | | |
|---|---|---|
| Afrika y'epfo | Aba San | Abahigi-bamuzi |
| Tuniziya | Aba Amazigh | Abarimyi |
| Ubuganda | Aba Batwa<br><br>Aba Benete<br><br>Aba Karamojong | Abahigi-bamuzi<br><br>Abahigi-bamuzi<br><br>Aborozi-bagishi |
| Tanzaniya | Aba Hadzabe<br><br>Aba Akiye<br><br>Aba Maasai<br><br>Aba Barabaig | Abahigi-basaruzi/Uburimyi budashemeye<br><br>Abahigi-bamuzi<br><br>Aborozi<br><br>Aborozi-bagishi |
| Zambiya | Aba San | Abahigi-bamuzi |
| Zimbabwe | Aba San | Abahigi-bamuzi |

## Uko ivyerekeye agateka k'abanyagihugu b'abasangwabutaka vyifashe muri Afrika

Naho ivyerekeye ingene agateka ka zina muntu vyifashe muri Afrika bitoroshe, bitandukanye kandi bigahinduka uko umuntu ahinduye igihugu, biraboneka ko hariho n'ibintu bahuriyeko.

## Uburenganzira kw'itongo

Kimwe mu vyo bahuriyeko, gikomeye kandi nyamukuru, ni uko abantu benshi b'aborozi- bagishi, abahigi-bamuzi be n'iyindi mirwi y'abasangwabutaka kenshi bomowe ku matongo yabo canke babujijwe kwegera amatungo kama kandi ariyo abatunze. Iryo nyagwa ryatumwe n'imvo atari nkeyi nk'urugero rw'uburimyi n'ubworozi bwa kijambere, gutegekanya amashamba yo gukingira ibidukikije, ibibanza vya reta

bikingiwe, amashirahamwe yo gucukura ubutare na peterori, kwubaka ingomero z'umuyagankuba hamwe n'ibindi. Ukunyagwa amatongo n'ukwakwa uburenganzira bwabo ku matongo no ku matungo kama vyarabangamiye ubuhinga n'ubumenyi bwabo bwabafasha kuva kera kuronka ikirirenza; ivyo bikaba vyatumye haba ukudasonera uburyo bwabo bwo kubaho. Ibi rero birabangamiye cane ubuzima bw'abasangwabutaka mukubashira mu bukene butagira izina kw'isi nzima. Ibi bintu rero biteye kubiri n'Amasezerano ya Afrika yubahiriza ikiremwa muntu be n'abanyagihugu (ingingo za 20, 21 na 22) yo yemeza neza ko abanyagihugu bose bafise uburenganzira bwo kubaho, uburenganzira ku matungo yabo kama hamwe n'uburenganzira bwo kwiteza imbere mu vy' ubutunzi, mu vy' imibano be no mu mico kama. Amatongo y'abasangwabutaka ariko araga cane, ivyo bigatuma bama umutima uhagaze kandi batanashobora kurwanya impanuka ziva kwitituka ry'ibidukikije ribangamiye kazoza kabo.

## Ikumirwa

Abanyagihugu n'imiryango y'abasangwabutaka ahanini barakumiriwe n'imirwi yiganje(nyamwinshi) kuko babafata nk'abasizwe n'amajambere. Amatazirano mabi atari make arakoreshwa kuri abo bantu, cane cane nk' "abasizwe n'amajambere", "aba barbares", "abanyagashavu" canke abantu ata "karanga bafise", ahandi naho ngo barateza isoni ibihugu vya Afrika vyo mu bihe tugezemwo. Uku kubacukiza ni navyo bitwaza mu kubakumira, mu kubaharira ivomo, mu kubaganza, kubigiza inyuma no kubanyaga bigirwa mbere n'inzego za reta hamwe n'imirwi yiganje(nyamwinshi). Iryo kumirwa ritagira uko ringana niyo nyanduruko y'umubabaro urengeje mu miryango y'abasangwabutaka kandi biteye kubiri n'ingingo ya 5 y'Amasezerano ya Afrika, ategekanya ko umuntu wese afise uburenganzira bw'ukwubahirizwa mu buntu bwiwe, be n'ingingo ya 19 yemera ko abantu bose bangana kandi bategerezwa kwubahwa kumwe.

## Kudatunganiriza abasangwabutaka

Uburenganzira ku butungane, igice kizigenza c'ingingo nyinshi z'Amasezerano ya Afrika, cane cane ingingo za 3, 4, 5, 6 n' 7 ntibwubahirijwe ku miryango hamwe n'abantu b'abasangwabutaka. Izo ngingo ziremeza ko abantu bose bangana imbere y'amategeko kandi ko bategerezwa gukingirwa kumwe n'amategeko; ko abantu bose bafise uburenganzira bwo kwidegemvya n'umutekano wabo, akaba ari na co gituma badashobora guhagarikwa canke gupfungwa ata mpamvu ziboneka kandi ko abantu bose bafise uburenganzira bwo kwisigura imbere y'amategeko. Ivyo ariko ntibibuzako abasangwabutaka bahagarikwa kenshi ata mvo igaragara, bakanapfungwa burundu canke vy'agateganyo ata mvo, bagahohoterwa, cane cane n'abacungera amashamba, inzu zabo hamwe n'amatungo bikibwa bakanabahahaza ngo barihe ikori ry'umurengera canke ibiturire.

## Uguhonyanga uburenganzira bujanye n'imico kama

Ukutubahiriza uburenganzira bujanye n'akaranga hamwe n'imico kama ni ubundi buryo budasanzwe bwo guhohotera agateka ka zina muntu k'abanyagihugu

b’abasangwabutaka. Ukutubahiriza agateka kabo kajanye n’imico kama, biteye kubiri n’Amasezerano ya Afrika yemeza uburenganzira bujanye n’imico kama hamwe n’akaranga ka bose (ingingo ya 22). Ukutubahiriza agateka kajanye n’imico kama vyibonekeza mu buryo butandukanye kandi biva ku mvo nyinshi. Nk’akarorero, gutakaza ubutunzi kirumara mu buzima bw’abo, bifise ingaruka mbi ku mico kama y’abanyagihugu b’abasangwabutaka: birabaka ububasha bwo kubandanya bakoresha uburyo bwabo bwo kubaho hamwe n’ukubungabunga be no guteza imbere imico kama n’akaranga kabo nkuko bavyipfuza.

**Ukudaserukirwa mu nzego n’ukutemerwa mu mategeko**

Ikindi kintu kiranga abanyagihugu n’imiryango y’abasangwabutaka ni uko uguserukirwa mu nama nshingamateka no mu zindi nzego za Leta bidashemeye, ni navyo bituma ingorane zabo zitirwa uko vyategerezwa. Ivyo rero biteye kubiri n’ingingo ya 13 (1) y’Amasezereno ya Afrika ategekanya ko abanyagihugu bose bafise uburenganzira bwo gufata ikibanza mu gutunganya ibiraba politike y’igihugu cabo. Ni ibihugu bike vyo muri Afrika vyemera ko hari abanyagihugu b’abasangwabutaka kw’isi yavyo. Ikitavuzwe coco ni ukubitegekanya mw’ibwirizwa nshingiro canke mu mategeko. Ukutemera ko babaho haba mu mategeko canke mw’ibwirizwa shingiro ni kimwe mu ngorane nyamukuru zigeramiye abanyagihugu b’abasangwabutaka.

**Uburenganzira bujanye n’amagara be n’indero**

Ibice vyinshi bibamwo abanyagihugu n’imiryango y’abasangwabutaka birakenye cane kandi nta biteza imbere aho baba bafise. Inzego zijejwe ivy’ imibano nk’amashure canke amavuriro si ikirenga kandi usanga ziri kure na kure, amabarabara nayo be n’ibindi vya nkenerwa mw’iterambere usanga vyaratabagaye, ivyo bikagira ingaruka mbi ku bantu bakora muri ubwo buzi hamwe n’akanovera k’imfashanyo botanga. Kubera ivyo, igitigiri c’abantu batazi gusoma canke abapfa kiri hejuru cane muri ivyo bice ugereranije n’abandi banyagihugu, ivyo bikaba biteye kubiri n’Amasezerano ya Afrika,nka:

- Uburenganzira bungana kuvyerekeye imfashanyo y’igihugu ciwe (ingingo ya 13 (2)
- Uburenganzira mu vy’indero (ingingo ya 17 (1))
- Uburenganzira mu vyerekeye ivyo kwivuza be n’ugufashwa muvy’ amagara y’abantu (ingingo ya 16 (2))

Ni abasangwabutaka bake baja kw’ishure bimwe biboneka. Igitigiri c’abize cama kiri munsi n’imiburiburi y’ica kabiri ugereranije no mu gihugu cose kandi n’igitigiri c’abazi gusoma naco nyene kiri hasi cane. Hari imvo nyinshi zisigura ivyo biharuro. Izo nazo ni ukubura amashure be n’ukungene ivy’ indero muri rusangi bitunganijwe uravye ivyo abanyagihugu b’abasangwabutaka bakeneye cane.

Ivyerekeye amagara y’abanyagihugu b’abasangwabutaka vyama bidashemeye kandi ntivyitaweho cane n’abajejwe kubungabunga amagara y’abantu. Ivyo rero bikaba bijanye n’ugukumirwa muri rusangi kw’abasangwabutaka, haba mu vyo ubutunzi canke mu vya politike. Ikindi naco ni uko abanyagihugu b’abasangwabutaka baba mu mihingo ya kure ugasanga rero biroroshe kubibagira. Uko abasangwabutaka batitaweho canke badashirwa imbere mu vya politike, kandi ko benshi muri bo bakenye hanyuma n’igitigiri c’abazi gusoma no kwandika kikaba ari gito cane, ivyerekeye amagara yabo muri rusangi

birateye agahinda. Kuri ivyo, umuntu yotegerezwa kwongerako, , akuborerwe ka misi yose hamwe n'ugushwana mu ngo, ubwicanyi be n'ingwara z'akabonge no guhahamuka.

Ivyerekeye agateka k'abanyagihugu n'imiryango y'abasangwabutaka bituma umuntu agira umutima uhagaze. Gukingira n'uguharanira bimwe biboneka agateka kabo ni igikorwa cihutirwa. Ariko rero, umuntu yovuga ko hari intambwe yashitsweko ku vyerekeye kwemera uburenganzira bwabo kuvy' imico kama, ukwemerwa n'ibwiriza nshingiro hamwe n'imigambi myiza yo kubateza imbere, no kubiraba ikibazo c'uburenganzira ku matongo. Umuntu yotanga akarorero ku bihugu bikurikira Afrika y'epfo, Algeriya, Maroke, Mali, Republika ya Congo, Burundi na Kameruni. Mu bihe turimwo, izo ntambwe zirahumuriza kandi ziratanga umwizero kuri kazoza.

**Amasezerano ya Afrika be n'ingingo zapfunditswe n'ama Sentare ku vyereke ijambo "abanyagihugu"**

Amasezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ako abanyagihugu (Amasezerano ya Afrika) aremeza uburenganzira ku ruhande rw'umuntu be no muri rusangi. Uburengenzira bw'ukungana be n'ukwubahirizwa mu rupfasoni rwa kiremwa muntu (ingingo za 2, 3 na 5) butegekanijwe ku bantu bose, harimwo n'abantu bo mu miryango y'abasangwabutaka. Amasezerano y'Afrika aremeza ku mugaragaro kandi akanakingira uburenganzira rusangi mu gukoresha ijambo "abanyagihugu" muri izo ngingo, kuva mu ntangamarara gushika no mw'ijambo ry'umutwe w'Amasezerano y'Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak' abanyagihugu. Ako gateka rusangi gategerezwa kuba ako imirwi iri mu gihugu hagati, harimwo imiryango n'abanyagihugu b'abasangwabutaka. Ingingo z'Amasezerano ya Afrika rero zitegekanya ukwubahiriza n'uguharanira agateka k'abasangwabutaka ni ingingo zihambaye cane kuri ico kibazo zikaba ari ingingo ya 2, 3, 5, 17, 19, 20, 22, 60. Urwego rujejwe kwubahiriza amasezerano rwaramaze kwemera ko rushobora kwihweza bimwe bimwe bicurako bihonyanga agateka ka zina muntu "k'abanyagihugu". Ikirego 75/92 c'Inama nkuru y'abanyagihugu bo mu ntara ya Katanga bitwariye Zayire carashikirijwe Urwego rwa Afrika hisunzwe ingingo ya 20(1) y'Amasezerano ya Afrika mu ntumbero yo kwemeza uburenganzira bwo kwigenga kw'abanyagihugu bo muri Katanga.

Naho Umurwi wa Afrika rutafashe ingingo ku neza y'abanyagihugu bo muri Katanga, kubona waremeye kwihweza ico kibazo vyerekana ko, mu bihe bimwe bimwe, ibibazo biraba ukwigenga kw'abanyagihugu bishobora kwihwezwa n'Umurwi wa Afrika ujejwe kwubahiriza agateka ka zina muntu n'ak' abanyagihugu. Kukaba nkako, 'iruhande y ico kibazo c'abanyakatanga, Umurwi wa Afrika warafashe ingingo ku kibazo c'abanya Nigeriya cerekeye uburenganzira mu vy' ubutunzi n'imibano vy'abanyagihugu b'aba Ogoni hamwe n'ikibazo c'abantu b'urukoba rw'irabura bo muri Moritaniya. Umurwi wa Afrika ni ho mbere watanguriye gutomora ijambo "abanyagihugu" mu nsiguro ifasha abantu b'abasangwabutaka gusaba gukingirwa bisunze ingingo ziva ku ya 19 gushika ku ya 24 y'Amasezerano y'Afrika. Mu kwemeza uburenganzira bw'umurwi w'abanyagihugu bwo gusaba gukingirwa iyo agateka kawo gahonyanzwe, Umurwi wa Afrika waraciye inzira, uranafasha abanyagihugu b'abasangwabutaka gusaba nabo gukingirwa nk'abandi. Iyo ntambwe iranezereje cane kandi umuntu yokwizera ko ibintu bizobandanya muri iyo nzira, ivyo bikazotuma Amasezerano ya Afrika hamwe n'Umurwi

wa Afrika uyubahiriza biba inzego zikomeye mu guharanira no gukingira agateka k''abasangwabutaka bo muri Afrika.

Umurwi wa Afrika urafise kandi uburenganzira bwo kwishimikiza ingingo ngenderwako z'amategeko mpuzamakungu mu vyerekeye agateka ka zina muntu n'ako abanyagihugu, nkuko bitegekanijwe mu ngingo ya 60 y'Amasezerano ya Afrika. Umurwi wa Afrika utegerezwa rero kwisunga amasezerano mpuzamakungu atandukanye yerekeye agateka ka zina muntu kandi ukanayisunga mu kwihweza ibirego washikirijwe n'abanyagihugu b'abasangwabutaka canke iyo bariko bararaba ivyegeranyo vyashikirijwe n'ama reta buri gihe. Naho igice gito c'ibihugu vya Afrika vyemeje amasezerano 107 y'Ishirahamwe mpuzamakungu riraba ivy' akazi yo mu 1957 kandi ata na kimwe cemeje amasezerano 169 yo mu 1989, ayo masezerano uko ari abiri ari mu mategeko mpuzamakungu kandi Umurwi wa Afrika urashobora kuyisunga. Ivyo birakenewe cane kubera ingingo ya 1.2 y'amasezerano 169 y'Ishirahamwe mpuzamakungu riraba ivy' akazi (OIT) itanga uburenganzira ikanakingira abanyagihugu biyita bonyene abasangwabutaka. Ikindi naco, Amasezerano mpuzamakungu ajanye n'agateka k'ubwenegihugu n'aka politike hamwe n'Amasezerano mpuzamakungu araba agateka kajanye n'ivyo ubutunzi, imibano n'imico kama nayo nyene agize amategeko mpuzamakungu; ibihugu bimwe bimwe vya Afrika vyarayateyeko igikumu hamwe mbere n'ayandi masezerano y'Umuryango mpuzamakungu ONU akingira agateka k'abanyagihugu b'abasangwabutaka. Ni ngombwa rero ko ibihugu vya Afrika vyubahiriza agateka k'abanyagihugu b'abasangwabutaka hisunzwe ingingo ya 1 yayo masezerano abiri, hamwe n'ingingo ya 27 y' Amasezerano Mpuzamakungu ajanye n'agateka k'ubwenegihugu n'aka politike. Amasezerano ya Afrika hamwe n'uburenganzira atanga bwo kwisunga amategeko mpuzamakungu bishobora gufatwa nkuko bikingira agateka k'abanyagihugu b'abasangwabutaka.

**Ukwemanga abanyagihugu b'abasangwabutaka mu makungu**

Umuryango mpuzamakungu ONU hamwe n'amakungu yose aremanga ko abanyagihugu b'abasangwabutaka baba kw'isi yose, na Afrika idasizwe inyuma, kandi ko imibabaro yabo itegerezwa kwitwararikwa mu makoraniro mpuzamakungu. Abanyagihugu b'abasangwabutaka b'abanyafrika baritaba cane ayo makoraniro mpuzamakungu uko bitaba urugamba mpuzamakungu rujanye n'agateka k'abasangwabutaka. Muri Kigarama 2004, Inama ya bose y'Umuryango mpuzamakungu yashinze ko imyaka yo kuva 2005-2014 izokwitirirwa *Imyaka cumi c'igice ca kabiri c'Umuryango mpuzamakungu cahariwe abanyagihugu b'abasangwabutaka*. Imyaka cumi ya mbere yari yatanguye mu 1993. Ico gikorwa gishobora gufatwa nk'icemezo c'amakungu c'ukwitaho bimwe biboneka kazoza k'abanyagihugu b'abasangwabutaka kandi kikerekana ko ikibazo c'abasangwabutaka ari nkoramutima kandi citaweho mu makungu. Intumbero nyamukuru y'iyo myaka cumi y'igice ca kabiri ni ugushimangira ukufashanya mpuzamakungu kubiraba ugutorera inyishu ingorane zugarije abanyagihugu b'abasangwabutaka mu bisata vy'indero, amagara, agateka ka zina muntu, imico kama, ibidukikije hamwe n'iterambere mu vy'imibano n'ubutunzi. Umuryango mpuzamakungu warakoze ibitari bike mu guharanira agateka k'abanyagihugu b'abasangwabutaka kw'isi yose, nk'akarorero : ishingwa ry'*Umurwi nshingwabikorwa ujejwe abanyagihugu b'abasangwabutaka* mu 1982 n'Akanama k'Umuryango mpuzamakungu kajejwe

kurwanya ingingo zikumira, kakitaho gukingira inkehwa;ishingwa ry'*Urwego ntayegayezwa ruraba ibibazo vy'abasangwabutaka* rwashizweho n'Umururyango mpuzamakungu mu 2000 rukaba rugabwa n'Inama mpanuzwajambo y'Umuryango mpuzamakungu ijejwe ivy' ubutunzi n'imibano; itorwa ry'*Umuhinga adasanzwe w'Umuryango mpuzamakungu ajejwe ivy' agateka ka zina muntu be n'umwidegemvyo nyakuri w'abanyagihugu b'abasangwabutaka* n'Umurwi ujejwe akateka ka zina muntu mu 2001; kwemeza *Ibimenyeshejwe n'Umuryango mpuzamakungu ku vyerekeye agateka k'abanyagihugu b'abasangwabutaka* n'Inama mpanuzwajambo y'Umuryango mpuzamakungu iraba ivy' agateka ka zina muntu mu 2006 hamwe rero n'ugushinga *Ikigega c'Umuryango mpuzamakungu cuzuzwa n'abagiraneza categekanirijwe abanyagihugu b'abasangwabutaka* kugira ngo bashobore kwitaba amanama mpuzamakungu.

Ayandi mashirahamwe, nk'Ishirahamwe mpuzamakungu riraba ivy' akazi be n'Ibanki y'isi yose nayo nyene yarakoze igikorwa co guharanira agateka k'abasangwabutaka. Ishirahamwe mpuzamakungu riraba ivyo akazi ryarashinze umugambi wo gufata mu mugongo abanyagihugu b'abasangwabutaka (uraba cane cane abasangwabutaka bo muri Afrika no muri Asiya) hamwe n'Amasezerano 169 yiryo shirahamwe ariryo tegeko mpuzamakungu ryonyene (riracarindiye ko riterwako igikumu) ribwiriza ama reta, ryahariwe agateka k'abanyagihugu b'abasangwabutaka. *Ibanki y'isi* yose nayo nyene yaragishije inama abanyagihugu b'abasangwautaka bo mu mihingo yose y'isi kuvyerekeye imigambi yayo y'ukubafata mu mugongo; n'ubu irabandanya kugisha inama abasangwabutaka bo muri Afrika.

Umurwi CADHP urasaba ushimitse ama reta ya Afrika hamwe n'abandi bose begwa n'ico kibazo kwitaba amanama mpuzamakungu be n'ayo mu karere ku bijanye n'abanyagihugu b'abasangwabutaka be n'inkehwa, harimwo Umurwi nshingwabikorwa w'Umuryango mpuzamakungu ujejwe inkehwa, Umurwi nshingwabikorwa ujejwe abanyagihugu b'abasangwabutaka be n'Urwego ntayegayezwa rw'Umuryango mpuzamakungu ruraba ibibazo vy'abasangwabutaka.

**Akamaro k'ukwemera abanyagihugu b'abasangwabutaka muri Afrika**

Urwego rwa Afrika rujejwe kwubahiriza agateka ka zina muntu n'ak' abanyagihugu, kuberako arirwo rwego rukomeye mu vy' agateka ka zina muntu muri Afrika, ntirushobora kwirengagiza akamo gaterwa n'imirwi imwe imwe ititaweho muri Afrika, Umuryango mpuzamakungu canke amakungu yonyene.Umurwi CADHP uremera ko hari ingorane zifatiye kwikoreshwa ry'ijambo *abanyagihugu b'abasangwabutaka* ku rugero rw' Afrika, hashobora rero kuba ingorane zimwe zimwe zega Afrika gusa hageze guhanahana ivyiyumviro mu ntumbero yo gushikira umwumvikano muri rusangi. Ariko rero, Umurwi CADHP ushingiye ku ciyumviro ko ukuntu ico kibazo c'abasangwabutaka gitunganijwe mu makungu ubu nivyo vyoba isemo ya mbere. Ukwidondorana nkuko bitegekanijwe mu masezerano 169 y'Ishirahamwe mpuzamakungu riraba ivyo akazi be n'*Umurwi nshingwabikorwa wa CADHP ujejwe abanyagihugu b'abasangwabutaka,* ni ingingo nyamukuru ishobora kwisungwa muri kazoza n'Umurwi wa Afrika imbere y'ugufata ingingo.

Nkuko bimaze kuvugwa, birazwi ko Afrika irangwa n'imico kama myinshi. Ibihugu bitari bike bitunze imirwi y'amoko atandukanye, muri yo hakabamwo iyikomeye, iyindi nayo igacinyizwa. Iyo mirwi yose ni iy' abasangwabutaka bo muri Afrika. Ariko rero, bamwe baracinyizwa vyeruye n'imirwi yiganje(nyamwinshi) canke na reta, ivyo bigatuma baharirwa ivomo bakanakumirwa. Izo ngorane nizo zitorerwa umuti n'ijambo *abasangwabutaka* rikoreshejwe mu nsiguro yaryo nshasha y'ukwihweza kandi umuntu anaravye amategeko mpuzamakungu aritegekanya. Iryo jambo rishaka kurandurana n'imizi imvo z'uguhohoterwa nk'uko, umuntu atanze akarorero, abantu benshi biyumvira iterambere canke gukoresha isi – riri kandi mu ntumbero ataho isa isana n'uburyo busanzwe bwo kugabanura ubukene n'ugukingira abantu muvy' imibano. Imigambi itari mike yo kugabanya ubukene yarageragejwe mu banyangihugu b'abasangwabutaka . Ariko, naho iyo migambi yagwanya ingorane zibonekeza cane nk'iz' amazi, ukubura ibitaro hamwe n'ibindi, ntiyicarira ibibazo nkoramutima biraje ishinga iyo mirwi nk'uguhohoterwa n'ukunyagwa.

Birakenewe cane rero ko urwego rujejwe agateka ka zina muntu ruhambaye cane nk'Umurwi wa Afrika wubahiriza agateka ka zina muntu n'ak' abanyagihugu usemerera werekana ko mu bihugu vya Afrika uno munsi, vyikukiye kandi birangwa n'imico kama myinshi, hariho ingorane zihambaye zijanye n'agateka k'abanyagihugu baharirwa ivomo, bahohoterwa, bakumirwa mbere n'imico kama yabo igeramiwe.

Tutaravye ijambo rizokoreshwa ryose mu kwihweza n'ukuvuga uko abasangwabutaka babayeho, ni ngombwa kwemera ingorane zabo n'uko vyihutirwa gufata ingingo kugirango habungabungwe agateka rusangi kabo. Uguharira kw'izina ntivyobuza ibikorwa. Birumvikana ko ijambo abasangwabutaka ritokoreshwa mu nsiguro inyuranye, yo gushaka kwiyemeza, kurondera agateka n'ubutegetsi busumba ubw' iyindi mirwi canke abandi bantu bo mu bundi bwoko bugize abanyagihugu, canke naho, ikizira kikaziririzwa, mu nsiguro iryanisha amoko n'imiryango canke igumura.

Ivyo ntawobigarukako kuberako intumbero y'iryo jambo iteye kubiri n'iciyumviro nk'ico. Intumbero y'iryo jambo n'uko ryoba igikoresho co gushinga intwaro rusangi ifasha imirwi n'abangihugu bahariwe ivomo mu gihugu cabo kwemerwa n'ukugira ijambo.

Ni ijambo rifasha imirwi imwe imwe - mu mirwi y'ubwoko bwose iri mu gihugu– yiyitako ari abasangwabutaka bakumirwa, bagahohoterwa bakanaharirwa ivomo mu buryo butandukanye kubera imico kama n'imibereho yabo, kwihweza n'ukumenyekanisha ukuntu ibayeho. Ni ijambo imirwi ishobora gukoresha kugirango bamenyekanishe amabi ajanye n'ihonyangwa ry'agateka kabo, haba nk'abantu ku giti cabo, nk'imirwi canke nk'abanyagihugu.

Mu nsiguro y'ukuri, n' ijambo imirwi vyega ishobora kwizera ko yokoresha mu kuganira n'ama reta y'ibihugu vyabo ku kibazo kijanye n'ugukingira agateka ka zina muntu canke agateka rusangi n'ukwemererwa nk'abanyagihugu bafise uburenganzira bwo gufata ingingo zijanye na kazoza kabo. Ibiganiro bijanye n'ugukingira agateka k'abanyagihugu b'abasangwabutaka birashobora gutuma bungurana ivyiyumviro vyubaka mu nzego za Afrika zubahiriza agateka ka zina muntu, ku kugene boteza imbere uburyo bwo kubaho bw'ibihugu vya Afrika vyisunga intwaro rusangi kandi birimwo abantu b'imico kama myinshi, ku buryo ivyiyumviro n'imigabo y'imirwi yose vyubahirizwa. Bemerewe kwisanzura no kwiteza imbere uko bo babibona, abanyagihugu n'imiryango y'abasangwabutaka b'abanyafrika barafise uruhara runini cane mw'iterambere haba mu

vy' ubutunzi, ivya politike, ivy' imibano hamwe n'ivy' imico kama y'ibihugu basavyemwo indaro. Bategerezwa gufatwa nk'umurwi umwe, hanyuma hari ugushaka kw'ubutegetsi, vyokoroha gushiraho imigambi ibaha ikibanza n'ubushobozi bungana n'ubw' iyindi mirwi iri mu gihugu.

Gutunganya bimwe biboneka imigambi myiza yubahiriza agateka rusangi k'abanyagihugu b'abasangwabutaka birashobora kuvyura ibiganiro biriko biragirwa kuvyerekeye kurwanya amatati muri Afrika. Ukwubahiriza imico kama itandukanye, akaranga hamwe n'uburyo bwo gukora n'ugufashanya hisunzwe ibikenewe imigambi n'imigabo y'imirwi yose igize igihugu ni umutahe munini mu rugamba rwo kurwanya amatati. Birakenewe rero ko atawotinya ibiganiro bijanye n'ikibazo c'ubwoko. Muri kahise k'isi, vyaragaragaye ko kutaganira ku kibazo c'amoko bidashikana ku mahoro canke k'ubumwe nyakuri. Ukwubaha bimwe biboneka ubudasa bw'abantu ni yo nzira irashe.

Ikintu nyamukuru umuntu yosozererako ni uko imiryango n'abanyagihugu b'abasangwabutaka bo muri Afrika bahonyangiwe agateka; ko Amasezerano ya Afrika ari igikoresho gikomeye cane mu guharanira no mu gukingira agateka k'abanyagihugu n'imiryango y'abasangwabutaka; ko ingingo zafashwe n'Umurwi wa Afrika zemerera abanyagihugu n'imiryango y'abasangwabutaka kurondera gukingirwa mu gateka kabo. Ubwa nyuma, ijambo "abanyagihugu b'abasangwabutaka", naho ritemewe na bose, rirashobora gukoreshwa muri Afrika kuko riha akaryo abahohotewe mu gateka kabo, ko guhindura ukuntu babayeho.

## Umurwi nshingwabikorwa w'Umurwi wa Afrika ujejwe abanyagihugu b'abasangwabutaka

Iki kigabane gifise intumbero yo kwerekana ukuntu Umurwi nshingwabikorwa w'Umurwi wa Afrika ujejwe abanyagihugu b'abasangwabutaka washizweho kandi kikanasigura ico ushinzwe n'ibikorwa vyawo.

## Ishingwa ry'Umurwi nshingwabikorwa n'ico ujejwe

Mu nama yayo isanzwe igira iya 28 yabaye muri Munyonyo 2000, Urwego rwa Afrika rwarafashe « Icemezo ku vyerekeye agateka k'abanyagihugu/imiryango y'abasangwabutaka » gishinga Umurwi nshingwabikorwa w'abahinga mu gateka k'abanyagihugu/imiryango y'abasangwabutaka bo muri Afrika ufise intumbero yo:

- Kwihweza ijambo abanyagihugu/imiryango y'abasangwabutaka muri Afrika;
- Kwiga intererano y'Amasezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ako abanyagihugu ku mibereho myiza y'imiryango y'abasangwabutaka;
- Gushikiriza ivyipfuzo bishimishije mugushira mu ngiro no gukingira agateka k'abanyagihugu/imiryango y'abasangwabutaka; Umurwi w'abahinga washinzwe mu nama isanzwe igira iya 29 muri Rusama 2001 ukaba ugizwe n'abakomiseri batatu bo muri CADHP, abahinga batatu bo mu miryango y'abasangwabutaka hamwe n'umuhinga yigenga ku bibazo vy'abasangwabutaka. Umurwi nshingwabikorwa warashize mu ngiro ico ujejwe mu rwandiko rwiswe « Icegeranyo c'Umurwi nshingwabikorwa w'Urwego rwa Afrika rujejwe abanyagihugu n'imiryango y'abasangwabutaka » (iki gisomwa ni incamake y'ico cegeranyo). Muri Munyonyo 2003, ico cegeranyo caremejwe n'Umurwi

wa Afrika. Ingingo yisunzwe mu kwemeza ico cegeranyo irasaba ko cokwiragizwa cane mu bihugu bigize Umurwiwa Afrika be no mu bantu bajejwe gufata ingingo za politike ku rugero rw'amakungu. Iyo ngingo yaranongeye ikiringo c'imyaka ibiri uwo murwi nshingwabikorwa, ica iwusaba :

- Kurondera amafaranga yokoreshwa mu bikorwa vy'Umurwi nshingwabikorwa bafashijwe n'abagiraneza, inzego n'amashirahamwe yigenga abishaka;
- Kwegeranya inkuru ziva mu mihingo yose (harimwo no mu ma reta, mu mashirahamwe adaharanira inyungu za politike, mu banyagihugu canke mu miryango y'abasangwabutaka) ku vyerekeye ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu n'umumwidegemvyo vy'abanyagihugu n'imiryango y'abasangwabutaka;
- Kugendera ibihugu kugirango birabire ukuntu agateka k'abanyagihugu/imiryango y'abasangwabutaka kifashe;
- Gushikiriza ivyipfuzo n'ivyiyumviro bijanye n'ingingo canke ibikorwa bibereye vyofasha mu guhagarika no gutorera umuti ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu be n'umwidegemvyo vy'abanyagihugu/imiryango y'abasangwabutaka;
- Gushikiriza icegeranyo c'ibikorwa vyakozwe ku nama imwe imwe isanzwe y'Umurwi wa Afrika;
- Gufashanya, aho bishoboka kandi bikenewe, n'ayandi mashirahamwe, inzego mpuzamakungu canke vyo mu karere bijejwe kwubahiriza agateka ka zina muntu.

**Ibikorwa vy'Umurwi nshingwabikorwa**

Dufatiye ku vyo umurwi ujejwe (nkuko vyashikirijwe aha hejuru), Umurwi nshingwabikorwa warashinze imigambi y'ibikorwa itomoye harimwo kugendera ibihugu,gutunganya amanama yo kumenyekanisha ikibazo, ibikorwa vyo gutanga amakuru n'ubushakashatsi. Umurwi nshingwabikorwa uheruka, mbere uriko urashira mu ngiro ibikorwa bikurikira:

- Icegeranyo ku biraba abanyagihugu b'abasangwabutaka carashizwe ahabona mu ndimi z'icongereza be n'igifaransa ubu kiriko kirakwiragizwa mu bafasha atari bake harimwo n'ama reta y'ibihugu vya Afrika, inzego zubahiriza agateka ka zina muntu, amashirahamwe ategamiye reta nyafrika canke mpuzamakungu hamwe n'abamenyeshabwenge muri za kaminuza. Ico cegeranyo kizoshirwa ahabona mu rurimi rw'icarabu, ivyo bikazofasha mukugikwiragiza mu bihugu bikoresha urwo rurimi.
- Umurwi nshingwabikorwa uzogenda gukorera mu bihugu bihurikiye mu murwi wa Afrika kugira batororokanye amakuru banakore igikorwa co gutohoza ku bibazo vyerekeye abasangwabutaka. Ukugendera ibihugu bifise intumbero yoguhuriza hamwe ibisata vyose (reta, inzego z'igihugu zijejwe kwubahiriza agateka ka zina muntu, amashirahamwe n'abantu badaharanira inyungu za politike, amashirahamwe mpuzamakungu be n'imiryango y'abasangwabutaka) mu kiganiro cerekeye agateka k'abanyagihugu b'abasangwabutaka n'uburyo koshimangirwa. Ukugendera ibihugu ni kimwe mu bikorwa nkenerwa kugira ngo habe ibiganiro hagati y'Umurwi wa Afrika, ama reta, hamwe n'abandi ikibazo cega. Gushika kuri uyu munsi, Umurwi nshingwabikorwa umaze kugendera ibihugu bikurikira: Botswana, Namibiya, Niger, Burundi, Republika ya Congo, Libiya n'Ubuganda. Ivyegeranyo biraba ivyo bihugu vyaremejwe canke biri mu nzira y'ukwemezwa n'Umurwi wa Afrika. Izindi ngendo ziriko zirategurwa, zizogirwa muri Tanzaniya, Kenya, Algeriya, Etiyopiya n'Urwanda.

•Umurwi nshingwabikorwa uriko urategura ikoraniro mu karere ryo kumenyekanisha ivyo bibazo muri Afrika yo hagati, rizobera muri Kameruni muri Nyakanga umwaka wa 2006. Intumbero yiryo koraniro ni ugutanga inkuru itomoye ku bihugu binywanyi mbere n'inzego z'igihugu ziharanira agateka ka zina muntu, ku gikorwa c'Umurwi wa Afrika be n'imigambi yawo ku biraba agateka k'abanyagihugu b'abasangwabutaka. Iryo koraniro kandi rifise intumbero nya mukuru yo gushinga ibiganiro hagati y'Umurwi wa Afrika n'ibihugu biwugize. Amakoraniro yo kumenyekanisha ivyo bibazo arategekanijwe kandi mu bindi bice vya Afrika.

•Umurwi nshingwabikorwa uriko uragira icigwa kiraba amategeko y'ibihugu vya Afrika kugirango bige ukuntu yokingira agateka k'abanyagihugu b'abasangwabutaka. Uwo mugambi w'ubushakashatsi uzomara imyaka itatu, wasabwe n'Umurwi nshingwabikorwa ufashanije cane n'Ishirahamwe mpuzamakungu riraba ivy' akazi (OIT), ukazoshirwa mu ngiro n'Ikigo kijejwe agateka ka zina muntu co muri Kaminuza ya Pretoriya muri Republika ya Afrika y'epfo.

•Umurwi nshingwabikorwa uriko urarondera gushinga ubushinguro bunini bw'inkuru(inzandiko) zose zijanye n'amashirahamwe yitaho ibibazo vy'abasangwabutaka bo muri Afrika. Intumbero y'ico gikorwa ni ugufasha ko haba ukuganira hagati y'Umurwi wa Afrika n'amashirahamwe arangurira imirimo yayo ku bibazo vy'abasangwabutaka, ivyo bikagirwa ku neza ya bose.

•Umurwi nshingwabikorwa utegekanya gusohora urwandiko rurimwo inkuru kugirango abantu bamenye ibikorwa vyawo hanyuma batume n'amashirahamwe yitaho ibibazo vy'abasangwabutaka atanga inkuru zishikira benshi ku bikorwa barangura.

## Ugusozera

Umurwi nshingwabikorwa w'Umurwi wa Afrika ujejwe ivyerekeye abanyagihugu/imiryango y'abasangwabutaka ufise amabanga menshi, ivyo bigatanga akaryo kaboneka ko guharanira no guteza imbere agateka k'abanyagihugu b'abasangwabutaka. Umuntu yokwizera ko aberwa n'ivyo bibazo bose bozokoresha ako karyo bimwe bishimishije. Umurwi wa Afrika, ubicishije mu cegeranyo c'abahinga hamwe n'ingingo zawo, warashinze uburyo nyabwo bwo guharanira agateka k'abanyagihugu b'abasangwabutaka ku rugero rwo muri Afrika. Waremeje cane ko abanyagihugu b'abasangwabutaka babaho muri Afrika kandi ko utegerezwa kwihweza ikibazo c'agateka kabo wisunze Amasezerano ya Afrika. Umurwi wa Afrika uremera ko ikibazo c'agateka k'abanyagihugu b'abasangwabutaka ari ikibazo ama reta amwe amwe ya Afrika akorako agasha. Ni co gituma bikenewe rwose ko ibiganiro vyogirwa kugira ngo ibibazo vyose bitandukanye biharirwako gushika no mu mizi yavyo hamwe n'ivyo abantu batumvikanako bakabiharira kandi bakabitomora mu buryo bwo kwubaka.

Ubwa nyuma, Umurwi wa Afrika wibazako, haba inzego mpuzamakungu, z'igihugu canke z'akarere ziharanira agateka ka zina muntu canke ama reta bitegerezwa gushira imbere uguharanira agateka k'abantu bafatwa ko bageramiwe cane, bigizwa inyuma gusumvya abandi, batitaweho kandi bakumirwa ukuri kwamye. Umurwi nshingwabikorwa w'Umurwi wa Afrika ujejwe abanyagihugu/imiryango y'abasangwabutaka washinzwe kugira ngo ukorane n'ibihugu binywanyi, inzego z'igihugu ziharanira agateka ka zina muntu, amashirahamwe adaharanira inyungu za politike, amashirahamwe mpuzamakungu hamwe n'inzego zishobora gutanga inkuru n'ugufashanya nawo mu ngorane zugarije abanyagihugu b'abasangwabutaka bo muri Afrika. Umurwi wa Afrika n'Umurwi nshingwabikorwa wawo ujejwe abanyagihugu/imiryango y'abasangwabutaka yipfuza rero cane ko hoba ibiganiro vyubaka kandi bitera imbere nk'umuzinga hagati yabo n'abantu bose barajwe ishinga n'ikibazo co guharanira no gukingira agateka ka zina muntu k'abanyagihugu b'abasangwabutaka. Umuntu yokwizigira, bose basenyeye ku mugozi umwe, ko ingorane zugarije agateka k'abanyagihugu b'abasangwabutaka zizomenyekana cane kandi ko abo ivyo bibazo biraje ishinga bose bazoshigikira, muri kazoza, urugamba rw'abanyagihugu b'abasangwabutaka.

## Insiguro

[i] Abatwa mu karere k'ibiyaga binini bitwa amazina atandukanye, biturutse aho baba. Kubera ivyo, mu Rwanda, mu Burundi, mu Buganda no mu buseruko bwa Republika iharanira intwaro rusangi ya Congo bitwa Abatwa. Mw'ishamba rya Ituri muri Congo bitwa Abambuti hanyuma bakitwa aba Baka mw'ishamba rya Labaye muri Republika ya Afrika yo hagati no mw'ishamba rya Minvoul muri Gabon. Bo nyene biyita aba Yaka n'aba Babendielle mu buraruko bushira uburengero bwa Kongo, be n'aba Baka hamwe n'aba Bagyeli muri Kameruni.

[ii] Eide, Asbjørn na Erica-Irene Daes: "Working Paper on the relationship and distinction between the rights of persons belonging to minorities and those of indigenous peoples", Icirwa c' Umuryango mpuzamakungu, E/CN.4/Sub.2/2000 co ku 10 Myandagaro 2000.

[iii] Ariko umuntu yovugako naho agateka k'inkehwa gafatwa nk,'agateka k'abantu umwe wese ku giti ciwe ariko kagakoreshwa muri rusangi, impari ziracabandanya ku kibazo c'agateka rusangi k'inkehwa.

**ABANYAGIHUGU B'ABASANGWABUTAKA BO MURI AFRIKA: ABANYAGIHUGU BIBAGIWE?**

**Umurwi wa Afrika rujejwe kubahiriza agateka ka zina muntu n'ako abanyagihugu (CADHP)**
Ibarabara Kairaba - Agasandugu ka Posita inomero 673, Banjul, Gambiya
Tel.: (220) 4377 721/4377 723 - Fax: (220) 4390 764
Email: achpr@achpr.org - Web: www.achpr.org

**Umurwi mpuzamakungu nshingwabikorwa ujejwe ibibazo vy'abasangwabutaka**
Classensgade 11 E, DK 2100 - Copenhague, Danemark

Tel: (45) 35 27 05 00 - Fax: (45) 35 27 05 07
E-mail: iwgia@iwgia.org - Web: www.iwgia.org

## Insobanuro ry'amajambo ajanye n'amategeko yakoreshejwe

**Lexique de termes juridiques utilisés – Insobanuro ry'amajambo ajanye n'amategeko yakoreshejwe.**

Abahigi-bamuzi: chasseurs-cueilleurs

Aborozi-bagishi: pasteurs nomades

Agahotoro: exploitation

Agateka rusangi: droits collectifs

Amasezereno ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'akabanyagihugu: Charte africaine des droits de l'homme et des peuples

Amasezerano mpuzamakungu ajanye n'agateka k'ubwenegihugu n'aka politike: Pacte international relatif aux droits civils et politiques

Amasezerano mpuzamakungu araba agateka kajanye n'ivy' ubutunzi, imibano n'imico kama: Pacte international relatif aux droits économiques, sociaux et culturels

Amatungo kama: ressources naturelles

Agateka k'abanyagihugu b'abasangwabutaka: droits des peuples autochtones

Gucinyizwa: être dominé

Gucinyiza: dominer

Gucurwa bufuni na buhoro: être exploité

Guharira ivomo: marginaliser

Gucura bufuni na buhoro: exploiter une personne

Gukumira: exclure; discriminer

Gutaramura: marginaliser

Gupfungwa ivyo agateganyo ata mvo: être détenu arbitrairement

Gushengeza: dénoncer

Ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu: violations des droits de l'homme

Imirwi yiganje(nyamwinshi): groupes dominants

Ingingo: article; disposition

Ingingo ngenderwako z'amategeko mpuzamakungu mu vyerekeye agateka ka zina muntu n'ak' abanyagihugu: Principes fondamentaux du droit international relatif aux droits de l'homme et des peuples

Ingingo zapfunditswe n'ama Sentare: Jurisprudence

Inkehwa: minorités

Inama mpanuzwajambo y'Umuryango mpuzamakungu ijejwe ivy' ubutunzi n'imibano: Conseil économique et social des Nations Unies

Ishirahamwe mpuzamakungu riraba ivyo akazi: Organisation internationale du travail

Uburenganzira rusangi kw'itongo: droits collectifs sur la terre

Ukwidondora: s'auto-identifier

Umuhora ngurukanabumenyi: site internet

Umurwi nshingwabikorwa w'Umuryango mpuzamakungu ujejwe abanyagihugu b'abasangwabutaka: Groupe de travail des Nations Unies sur les populations autochtones

Umurwi nshingwabikorwa w'Umurwi wa Afrika ujejwe abanyagihugu b'abasangwabutaka: Groupe de travail de la Commission africaine sur les populations/communautés autochtones

Umuryango mpuzamakungu: Organisation des Nations unies

Umurwi wa Afrika ujejwe agateka ka zina muntu n'ako abanyagihugu: Commission Africaine des Droits de l'Homme et des Peuples

Urwego ntayegayezwa ruraba ibibazo vy'abasangwabutaka: Instance permanente sur les questions autochtones